**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

## INYIGISHO ISHIKIRIJWE N'ABEPISKOPI GATOLIKA B'I BURUNDI MU GUSOZERA UMWAKA WA YUBIRE Y'IMYAKA IJANA IHEZE ABASASEREDOTI BA MBERE B'ABARUNDI BATIWE MURI IRYO BANGA

***« Ninde azodukura ku rukundo rwa Kristu… ? »*** (Rm 8,35)

Basaseredoti dusangiye ibanga,
Bihebeyimana,
Gihugu c'Imana mwese,

1. Twebwe Abungere banyu, turabaramukije amahoro ya Kristu Umusaseredoti Mukuru kandi w'intahava.

2. Nk'uko mubizi, kw'igenekerezo rya 15 Ruhuhuma 2025 twaruguruye icese umwaka wa Yubire y'imyaka ijana, kuva abasaseredoti babiri ba mbere b'Abarundi Patiri Emili NGENDAGENDE na Patiri Patirisi NTIDENDEREZA batiriwe i Mugera ku wa 19 Kigarama 1925.

3. Mu kwinjira muri uyu mwaka wa Yubire, twarabashikirije inyigisho. Twabatumirira guhimbarwa no gukenguruka iyo ntabonwa twagabiwe n'Imana, n'ivyiza biyikomokako. Kabaye kandi akaryo ko kwiyibutsa twese iteka n'uruhara ntasubirizwa vy'abasaseredoti muri Ekleziya-Muryango w'abana b'Imana. Twaribukanije kwitwararika gufashanya kugendera iryo banga n'ukurangura neza ubutumwa bwaryo. Turanahimiriza abakristu bose kurushirizaho kwitwararika gusaba Imana abaja muri iryo banga, n'ugutegura neza abaritorerwa, kugira ngo ntihazokwigere habura abo Imana ituma gushikiriza ivyiza vyayo.

4. Muri iyi nyigisho twipfuza kugaruka ku bintu bikuru bikuru vyaranze uyu mwaka wa Yubire, dukenguruke ivyiza idusigaranye, duheze tubashikirize ico Ekleziya ishashe mu Burundi yiteze ku basaseredoti no ku bakristu bose inyuma y'ihimbazwa rya Yubire y'imyaka ijana y'ubusaseredoti.

### I. IBINTU BIKURU BIKURU VYARANZE UMWAKA WA YUBIRE Y'UBUSASEREDOTI

5. Dutereje amaso inyuma, turashima ko ibitari bike mu vyo twari twiyemeje muri uyu mwaka wa Yubire twabishitseko.

6. Kukaba nkako, iyugururwa icese ry'umwaka wa Yubire muri Paruwasi Mugera ku wa 15/02/2025 ryahaye abasaseredoti n'abakristu bose ubwahuro bwo kwiyumva no

kurangura ubutumwa mu kanyamuneza bongera bazirikana ibanga ry'ubusaseredoti-busuku.

7. Kugira ngo uyu mwaka tuwubemwo mu bunywanyi budasanzwe dufitaniye n'Imana, harateguwe igisabisho ca Yubire y'ubusaseredoti cashikirijwe abakristu bose. Nk'uko twari twabisavye, ahatari hake abakristu ntibahengeshanije kukivuga mu Nkuka ya misa no mu yandi masabamana. Abakristu barategereye akamaro ko kwama bakengurukira Imana ku ngabire y'abasaseredoti muri Ekleziya, bongera bababasabira gukomera kw'ibanga.

8. Haratunganijwe kandi inkino za kivandimwe zahuje abasaseredoti bakukira amadiyoseze amw'amwe, bibabera akaryo keza ko gutsimbataza umuvukano.

9. Umusi w'Umushaha Mweranda rwose wa Yezu, ari naho hahimbazwa umusi mpuzamakungu w'itagatifuzwa ry'abasaseredoti warahimbajwe ku buryo budasanzwe mu madiyoseze yose. Aho vyashobotse abasaseredoti baragize ingendo nyeranda mu bibanza bari bahisemwo.

10. Kuva ku wa 28 gushika ku wa 30 Myandagaro 2025, haratunganijwe mw'Iseminari nkuru y'i Bujumbura, Ikoraniro kaminuza ryahuje abasaseredoti baserukiye abandi mu madiyoseze yose yo mu Burundi. Kabaye akaryo keza ko kumenyana, kwiginana no kuzirikana ubuzima n'ubutumwa bw'umusaseredoti. Kabaye kandi n'akaryo ko guhanahana ivyiyumviro haba ku bintu bikomeza ibanga ryabo canke ibishobora kuribangamira; baboneraho kwigira inama yo kurangura ubutumwa bwabo neza kurusha uko bahora, ku neza y'igihugu c'Imana.

11. Abari mw'ishirahamwe ry'abasaseredoti begukiye amadiyoseze (UCI) baratunganije amahwaniro y'abasaseredoti bose ku buryo batahora babigira: abari mu madiyoseze yegeranye bahuriye hamwe, barasangira inyigisho zibafasha gutsimbataza ubunywanyi bafitaniye na Kristu n'ubucuti hagati yabo.

12. Ibiro vy'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza mu Burundi vyaratunganije urugendo rweranda rwahuje abasaseredoti, abihebeyimana n'abalayiki rwabashikanye i Ushirombo mu gihugu ca Tanzaniya. Bari bajanywe no gusengera mu ngoro y'Imana ishinguwemwo Musenyeri Fransisiko GERBOIN yashinze imisiyoni zitanu za mbere mu Burundi: Muyaga, Mugera, Buhonga, Kanyinya na Rugari. Ni nawe yarungitse Emili NGENDAGENDE na Patirisi NTIDENDEREZA mw'Iseminari ntoyi y'i Ushirombo, imbere y'uko baja kubandaniriza kwitegurira ibanga ry'ubusaseredoti mw'Iseminari nkuru y'i Kabgayi mu gihugu c'Urwanda ari naho babandanirije Iseminari nkuru.

## II. GUKENGURUKA

13. Mu gihe turiko turasozera uyu mwaka wa Yubire, turakengurukira Imana ku vyiza vyinshi yatugiriye : abasaseredoti twarakiriye neza umwaka wa Yubire yacu, turanabigaragaza ku buryo budasanzwe mu biringo bimwe bimwe vyawuranze. Abihebeyimana n'abakristu-balayiki mwaritabiriye akamo twabateye ko kurushirizaho kudusabira twebwe abasaseredoti muri uyu mwaka wa Yubire.

14. Turakenguruka cane kandi ko mu madiyoseze yose, eka mbere no mu miryango imw'imwe y'abihebeyimana, habaye iyatirwa ry'abasaseredoti bashasha. Vyarateye akanyamuneza umuryango wose w'abakristu, bibaha umwizero ko baronse abazobashikiriza ivyiza vy'Umukama batarinze gutama.

15. Bisubiye, uyu mwaka wa Yubire y'imyaka ijana iheze turonse abasaseredoti ba mbere b'Abarundi wahuriranye na Yubire y'imyaka 2025 ya Ekleziya ikwiye kw'isi yose. Mu madiyoseze yose abasaseredoti bararushirijeho kwitanga kugirango bahimbaze neza hamwe n'abakristu uwo mwaka wa Yubire y'Ekleziya. Ntitwibagiye kandi ko kubera iyo Yubire y'Ekleziya Abepiskopi, abapatiri, abihebeyimana n'abakristu-balayiki baserukiye abandi baronse akaryo ko kuja mu rugendo rweranda i Roma.

16. Turakenguruka kandi bimwe vy'imvamutima ukuntu Radio Maria Burundi – iradiyo y'Umuvyeyi wacu Bikira Mariya –itahegeshanije gusamiriza ibijanye n'uyu mwaka wa Yubire, kugira bimenyeshwe gushika kure. N'ubu iracabandanya.

### III. NONE EKLEZIYA YITEZE IKI KU BASASEREDOTI NO KU BAKRISTU BOSE INYUMA Y'IHIMBAZWA RY'UMWAKA WA YUBIRE Y'UBUSASEREDOTI ?

17. Bakristu dukunda, ubu na ho mudukundire twerekeze amaso imbere, tubashikirize ibintu bimwe bimwe ihimbazwa ry'umwaka wa Yubire ryodusigarana kugira ngo bitwerekeze kuri kazoza keza k'ibanga ry'ubusaseredoti n'aka Ekleziya.

18. Bavandimwe basaseredoti, umuryango w'abakristu witeze ko turushirizaho kugendera ibanga twatorewe. Erega bavukanyi iryo banga ry'ubusaseredoti si agaciye aho ! Nico gituma dutegerezwa kuba aba mbere mu kurihimbarirwa, tukarihesha iteka, tugatuma abakristu babona ko muri Ekleziya, ubusaseredoti-busuku ari « karahara mu ruganda ntibacura ». Muri vyose na hose, nitwame duhurumbira kuguma mu rukundo rwa Kristu, kugira ngo tubashe kumwigana We Musaseredoti w'intahava, twame twibuka ko tutari kumwe nawe ataco twokwishoboza (raba Yoh.15,5).

19. Kugira tubishikeko, turatumiriwe kwama dufata umwanya ukwiye w'ukwakira n'ukuzirikana ijambo ry'Imana, w'ukwitegurira n'uguhimbaza neza amasakramentu cane cane iry'Ukaristiya n'iry'ikigongwe, w'ugusenga neza duhereye k'uguhereza igisabisho c'Ekleziya nkuko twabiraganiye Umukama. Turahamagariwe kandi kuzigama n'ukugendera indagano zose twaraganiye Umukama ishengero rikoranye. Twame twibuka ko igihe cose dutirimutse kur'izo ndagano tuba duhemukiye Umukama yadutoye, tukambika iceyi Ekleziya, kandi tukaba dutirimukije igihugu c'Imana turagijwe. Ni co gituma twokwirinda kwirukira ibituryosharyosha bidukwegera mu binezero vy'ab'isi bidutesha ibanga. Urukundo rw'Umukama ni rube ari rwo rubaraza ishinga.[1] N'aho mu buzima bwacu ibigora vyodutuma twijirwa canke twihebura bitabuze, nitwame turondera kubirengera dufashijwe n'inema y'Imana, tugaragaze akanyamuneza nk'abafise ukwizigira kudatetereza.[2] Dushobore kwemeza nka Paulo mweranda ko ata na kimwe kizoshobora kudukura ku rukundo rwa Kristu (raba Rom. 8, 39).

---

[1] Raba 2Co 5,14 ; Rm 8,35 ; *Inyigisho ya Papa Leo XIV mu misa yo kwatira abasaseredoti bashasha no guhimbaza Yubile y'abasaseredoti mu mwaka wa Yubile y'imyaka 2025 y'Ekleziya* (Roma, 27 Ruheshi 2025).

[2] Raba Rom 5,5 ; 12,12 ; *Ikete rya Papa Frasisiko ryo kwinjira icese muri Yubile isanzwe y'umwaka wa 2025.*

20. Vyongeye, nka Yezu-Kristu ubwiwe ataje gukorerwa, yaje nyabuna gukora mu kwigira umusuku wa bose ngo babashe kuronka ubuzima bwuzuye (Raba *Mat 20,28 ; Yoh 10,10*), ni ko natwe dusabwe kumera, mu gusukurira abantu bose, na cane cane abatobato, abagowe n'abihebuye. Hejuru ya vyose, kubera kahise kabi igihugu cacu caciyemwo, nitwitwararike kuba abatumwa b'urukundo, ukuri n'ukurekuriranira[3], kuko ari vyo bifasha abantu gusabana ikigongwe no gusubiza hamwe, kugira babane mu mahoro.

21. Bisubiye, kubera ko umusaseredoti wese ari uwundi Kristu *(alter Christus)* ategerezwa kuba umuntu w'abantu bose. Yamara tumenye neza ko imigenderanire yacu n'abantu bose izoshoboka ari uko twebwe nyene tubanje kugaragaza urukundo n'umwumvikano hagati yacu nk'abakristu ba mbere (Raba *Ibik vy'abat. 2,42-47 ; Rom 12,9-15)*. Ukubana neza be n'ukuja inama n'ingingo n'abo dusangiye umubano n'ubutumwa ni vyo bitegerezwa kwama bituranga aho tubaye hose, bigatuma dushobora kuba intahinyuka mu butumwa bwacu. Iryo sangiramutima n'isangirabutumwa ni vyo kandi umusaseredoti wese ategerezwa kwitwararika mu migenderanire afitaniye n'Umwepiskopi wiwe. Kukaba nkako, nk'uko Papa Leo wa 14 abitwigisha : *« Uko ubumwe buzokomera hagati yacu, niko tuzorushirizaho kumenya kuyobora ubusho bw'Imana tubwerekeza mu ruhongore rw'Umwungere mwiza, kugira tubane nk'abavukanyi mu ngoro imwe ya Data ».*[4]

22. Namwe bihebeyimana n'abakristu-balayiki, murazi ko uyu mwaka wa Yubire y'ubasaseredoti-busuku mu Burundi turiko turasozera namwe nyene wari uwanyu, kuko ubusaseredoti busuku buriho ku neza y'igihugu c'Imana cose. Turabateye rero akamo ngo murushirizeho gutahura ibanga ry'ubusaseredoti-busuku n'akamaro karyo muri Ekleziya, gutyo mushobore kwama mudushigikira twebwe abasaseredoti, mu buzima no mu butumwa bwacu bwa misi yose, mutibagiye n'abariko bariteguri iryo banga. Nimukunde abasaseredoti banyu, mudusabire, mutwubahirize mw'ibanga ryacu, mudufashe kuryiyumvamwo no kurigendera. N'aho hogira uwo bigora, muramusabira mwongere mumuhanure uko bishoboka kwose.

23. Nimwitwararike igihe cose kuja inama n'ingingo n'abasaseredoti banyu. Erega, umwe wese muri mwebwe, arafise ico yoterera kugira ngo Ekleziya itere ija imbere mu butumwa bwayo kandi ibe nyeranda ata mahinyu *(*Raba *Ef 5,27)*, kuko uwabatijwe wese ni umutumwa.

24. Dukundire kandi tubibutse ko mufise uruhara ntasubirizwa kugira haboneke abasaseredoti benshi kandi beranda. Ni co gituma tubasavye ngo umwe wese yitwararike gusaba ngo Umukama yitorere We nyene abo arungika mu murima wiwe. Iruhande y'ivyo, nk'uko mu madiyoseze amw'amwe hariho abakristu bamaze gutahura umugambi wo gutanga intererano isahiriza mu kurera abitegurira ibanga ry'ubusaseredoti, turabahimirije ngo bishike mu madiyoseze yose, kibe kimwe mu bimenyetso vyerekana ko Ekleziya yacu iriko irashika mu bigero.

---

[3] Raba *Lumen Gentium*, n. 7 §2-3.

[4] Leo XIV, *Inyigisho yo mu misa yo kwatira abasaseredoti bashasha no guhimbaza Yubile y'abasaseredoti mu mwaka wa Yubile y'imyaka 2025 y'Ekleziya* (Roma, 27 Ruheshi 2025).

## GUSOZERA

25. Mu gusozera, twagira dusubire kubakengurukira mwese ku kuntu iyi Yubire y'imyaka ijana y'ubusaserdedoti-busuku mu Burundi mwese abasaseredoti nka twe, namwe abihebeyimana n'abakristu-balayike mwayigize rwanyu. Ivyiza yadusigaranye kandi dukenguruka mwumvise ko ari ibitari bike. Twese hamwe twigire inama yo kwama dushigikira ibanga ry'ubusaseredoti ku neza ya Ekleziya-Muryango. Twame dukengurukira Imana yo yateye iteka bamwe muri twebwe kugira ize irabacako mu kutuvotorera ku migisha no ku vyiza vyayo; twongere tuyisabe ngo ntihengeshanye kwitorera mu ngo n'imiryango yacu abasaseredoti bayihimbara, ituma kuyimenyesha no gushikiriza abantu bose urukiza rwayo.

26. Bikira Mariya, Umugabekazi w'abasaseredoti, niyame atuzigama twese ntihagire ikiduhungabanya mu kwemera, mu kwizigira no mu rukundo. Twebwe Abungere banyu turangije tubahezagira mwese, kw'izina rya Data n'irya Mwana n'irya Mutima Mweranda. Amen.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 04 / 12/ 2025

Abepiskopi banyu :

✠ Bonaventura NAHIMANA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Gitega, akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

✠ Salvatori NICITERETSE
Umwungere wa Diyosezi ya Bururi akaba n'Icegera c'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

✠ Gerevazi BANSHIMIYUBUSA
Umwungere Mukuru wa Diyosezi Nkuru ya Bujumbura

✠ Yohakimu NTAHONDEREYE
Umwungere wa Diyosezi ya Muyinga

✠ Buraziyo NZEYIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ruyigi

✠ Joriji BIZIMANA
Umwungere wa Diyosezi ya Ngozi

✠ Emanuweli NTAKARUTIMANA
Umwungere wa Diyosezi y Bubanza

✠ Lehonidasi NITEREKA
Umwungere wa Diyosezi ya Rutana